Imana muri twebwe



na Gabriele

Imana muri twebwe

Igisomwa ca Gabriele,
Umuhanuzi n'umutangabutumwa
w'Imana muri iki gihe cacu

1ère édition en Kirundi : mars 2019
Traduit de l'allemand
Titre original :
Gott in uns

Pour toute question se rapportant au sens,
l'édition allemande fait référence

© Tous droits réservés
Gabriele-Verlag Das Wort GmbH

Imana muri twebwe

Bagenzi musoma, vyumwihariko muri iki gihe, ijambo “Imana muri twebwe” rirashobora guca mu maso y’abantu nk’agasomborotso. Kukaba nkako, twumvirije canke dusomye ivyo ibinyamakuru bishikiriza kubihaye bishika kw’isi, turabona ingene “Imana”, hamwe n’ubwenge bwo kuba muri twebwe, biri muvyatawe. Ibimenyeshamakuru bitubarira ibiza, inyifato z’ibiremwabantu, ukuntu bafata abavukanyi babo, ivyo berekana mubo dusangiye ivyiyumviro canke ivyipfuzo.

Isi, ibidukikije vyose, ibiterwa n’ibikoko, birababazwa n’ukutagendera “ubukristo” n’ukwikunda kw’ababikoresha.
Umwe wese arafise ivyo yitwaza mugusigura inyifato yiwe, kwiba isi, imibabaro ikorerwa ibikoko, hamwe no kwicwa,

hamwe n'amabi akorerwa ibidukikije. Ikirico rero, n'uko ivyo vyose ataco bihuriyeko n'Imana eka mbere na Yesu w'i Nazareti. Ehe none uwushobora kwubahuka kwemeza : "Imana muri twebwe".

Turabona ko muri iki gihe abantu benshi bahaye bava mu masengero y'inzego. Ntawisunga inyifato z'umurwi w'abarongozi ari navyo tuvugako. Uburyarya n'ibinyoma biganza mu madini yabo bigenda vyisubiriza, inyifato ikorwa n'abaherezi benshi nko kwifata gisizimwe n'ikizira kitagira izina.

Abo bantu bakomeretse ku mitima baraheba amasengero yabo, muriyo bari barizeye, kandi bari biyumviriye ko bashoboye kuronka Imana. Abandi baremera mukuzunguza umutwe:
"Imana ntibaho, kuko namba ibaho yoba iri he?"

Abarongozi b'amadini barataye ivyizigiro. Abanyepolitique birirwa baravuga ku "nyungu rusangi" no "kukwitangira abandi" ariko, twinjiye indani turabona neza ko vyose bigaruka ku nyungu z'umuntu kugiti ciwe.
Leta y'ubudagi yiyita gikirisu, ariko ntibibuza ko ifata ikibanza ca gatatu mukudandaza ibirwanisho kw'isi yose.

Igihe iyo leta izoba umushumba w'abaherezi mukubaha imiliyaridi 14 z'amanyaburaya buri mwaka, hazohinduka ibintu bike, kuko yaba umushumba akwega igitwazi, yaba uwugira kugitwazi, n'ukuvuga idini, ntibabona ineza yoguhindura inyifato kubw'Imana no kubw'umugenzi. Kuri izo mfashanyo, hiyongerako ama miliyoni atangwa mu bifungurwa vyo mumasengero, ayo mahera akaba ava mukigega ca leta, ni ukuvuga ayatangwa n'abatangakori

b'igihugu. Niko muri bibiliya, iyo abaherezi barahirirako bereka abayoboke babo ko ari ukuri kudateye amazi, handitse ngo: *"Imana, yaremye isi n'ibiriko vyose, n'umukama w'ijuru n'isi, ntaba muzubatswe n'abantu"*.
Twebwe abatangakori, dutegerezwa kuriha buri munsi amakori. Tumeze nk'inkoko zikurwako amubi, zikeregwa nk'ibindi bikoko, birangiriza ku meza z'abakuru b'amadini.

Yesu Kristo yavuze iki? *"Abicisha inkota bose bazokwicwa n'inkota!"* Isi tubayeko tubona vyinshi: intambara, ubwicanyi, inzara, imibabaro, indwara, ibiza, amabi akomeye akorerwa ibikoko. Hama haribazwa: "Imana iba he?"

Abandi kandi baravuga: "Narizeye kera iki gitito aho havugwa Imana, ariko ubu vyaraheze, sinkivyizera. Imana ntibaho!"

Imana izokoresha iki ibisigarira vy'umusaka ivyo umuntu n'ubwirasi bwiwe asiga inyuma yiwe? Turashobora kugabanya ivyo bisigarira? Ntaco bimaze, umuntu ariha umuzigo ubwiwe, kuko niwe, ni twebwe tujejewe ubuzima bw'iyi si, ntabwo ari Imana!

Bavukanyi, abafise impwemu yokwihweza hamwe n'abemera mukuzunza umutwe, ndashobora kubaza iki kibazo? Muri intama yemera ivyo bayibwiye vyose? Muri uwemera ivyo abandi bagerageza kumutamika nk'akarorero ivyo bavuga ku Mana? Intama y'imburabwenge ikeneye amasengero yubatswe n'abantu, afise imigenzo n'abarongozi bagira ku migenzo babayemwo canke umuntu yidegemvya yize kwiyumvira kugiti ciwe no kutizera ivyo atamitswe, nk'akarorero isezerano rivuga ko Imana iri aha na hariya, canke kandi akajagari karangwa muri iyi si kerekana "amabanga" y'Imana?

Ndi ikiremwamuntu nk'uwundi. Igihe umuntu asezeranye ikintu, yategerezwa kuvyerekana. Ntanumwe ashobora gusezeranira mugenzi we ivyo amubwira n'impanuro ziwe bizomushoboza kuronka Imana aha canke hariya, Imana ni ubuzima muri twebwe, muri umwe wese muri twebwe.

Kamere kacu kimbitse katugira ibiremwa bikunda ubuzima rusangi. Nta numwe abwirizwa kuba wenyene, muri Bibiliya handitswe: *"Sivyiza ko umuntu yibana wenyene"*.

K'urundi ruhande, kutibohera ku muntu numwe bisigura kuronka Imana muri wewe, kuko naho hava insiguro nyayo y'umuryango, ugizwe n'umwizero. Kuronka Imana bisigura kwimenya wewe ubwawe, twisunze ivyo Yesu yigishije abantu, nk'akarorero:

“Jewe, Kristo, ndi inzira, ukuri n’ubugingo. Ntawuja kwa Data atanciyeko”.

Ivyo nanje birandaba. Nta numwe nihekako, naho bonyemerera ibintu vyinshi naho bogomba kuntwara aha na hariya kugira ndonke Imana.

Naho umuntu yoba yaratoye Imana muri we, ntashobora kuvyemeza abandi. Kwitwara neza birashobora kuba icitegererezo, ariko si ikivyemeza. Nicogituma ivyimviro vyanje bitaboha umuntu n’umwe. Vyisunga inyigisho ya Yesu Kristo, vyumwihariko kwisezerano yaduhaye muri aya majambo: *“Ndi inzira, ukuri n’ubugingo”*. Ivyo nipfuje kandi nipfuza n’ubu ni ukuronka vyukuri Imana. Kandi narayironse muri jewe kuko ntiboheye k’umuntu numwe. Niyerekeje kunyigisho ya Yesu Kristo, kandi ndabandanya kubikora.

Mubuhishuzi bukuru bwitwa “Iri ni Ijambo Ryanje”, turashobora gusoma ko mugihe ciwe, Yesu w’i Nazareti nawe nyene yategerezwa kwishura abantu bo muri ico gihe kubibazo babaza kubijanye n’Imana. Ng’ibi ibihanditswe:

“Nuko haza kuri Yesu abantu bamwe buzuye amakenga bavuga bati: “watubwiyeko ubuzima bwacu n’ukubaho kwacu biva ku Mana, ariko ntiturigera tubona Imana, kandi nta Mana tuzi. Urashobora kuyitwereka, uwo wita Data Imana imwe rudende? Ntituzi nimba Imana ibaho”.
Yesu arabishura: “Umvirize uyu mugani w’ifi. Ifi zo mu kiyaga zaravuganye hagati yazo ziti: “baratubwira ko ubuzima n’ukubaho kwacu biva mu mazi, ariko ntiturigera tubona amazi, ntituzi ico arico amazi. Nuko nyinshi murizo, zincabwenge kurusha izindi, ziravugana ziti: Twarumvise ko mukiyaga haba ifi itekereje kandi

y'ubwenge, izi vyose. Tugende kuyiraba tuyisabe itwereke amazi.
Nuko zimwe murizo zihereza inzira zija kurondera ifi nkuru y'ubwenge, zishika mukiyaga aho ya fi iba, hama zirayibaza. Imaze kunzumviriza, irazibwira iti: "Yooo, mafi y'ibijuju, mutiyumvira! Nuko muri incabwenge, murondera bike. Muba kandi mugendera mu mazi aho mufise ukubaho kwanyu. Mwazananye mu mazi kandi musubira inyuma mu mazi. Muba mu mazi ariko ntimubizi". Nicokimwe, muba mu Mana ariko mukambaza: "twereke Imana". Imana iba muri vyose, kandi vyose biba mu Mana."

Nkuko ivyo vyamaze kuvugwa, umuntu, muri kamere kiwe k'ibwina, ashaka kubana n'abandi, kuko sivyiza ko yibana wenyene. Kandi igihe twifatanya na Kristo mu mutima We, mu nyigisho yiwe, yamye arondera, na n'ubu kudutahuza

ko ariwe nzira, ukuri n'ubugingo, nitwakurikirana intambuko kuyindi, inyigisho yiwe, tuzoyoborerwa kubandi bantu bafise ukwiyumvira n'ukubaho nkatwe. Ariko, ntidutegerezwa kwiboherera kuribo. Nitwakomeza uko kwemera ko "Imana iba muri twebwe", birashoboka ko bamwe bavuga uko babona ikibano cacu ca none. Birabereye ko twemeza ico kintu. Ariko, muri bibiliya y'abaherezi, turashobora gusoma:

"Imana ntiba mungoro zubatswe n'abantu". Iryo ryungane rero riteza ikibazo: "nimba Imana itaba mu nsengero zubatswe n'amaboko y'umuntu, iba hehe none?

Abantu benshi bizera ko bafise umushaha. Turashobora rero gutangura kwiyumvira no kwibaza ko ivyo ari ukuri canke atari ukuri. Dufatire kukuntu umubiri wacu ugizwe n'ibintu bitobito vyamaho atari ivy'iyi si kandi ko ibwina cane

mu mushaha wacu muri wo, umubiri w'impwemu utagaragara, hari ubuzima, impwemu, IMANA, aho tugira ubushakashatsi biciye muguhema kwacu.

Ntidutegerezwa guhakana iciyumviro c'uko dufise "ubuzima" kuri iyi si, ku kiremwamuntu, co umunsi umwe kizohema iryanyuma, ntigisubire kuzana impwemu mu mubiri wacu biciye muguhema. Ubuzima n'uguhoraho, tubwita " Imana" canke "Uhoraho", canke kandi "ukubaho guhoraho".

Twiyumvire kubimera. Mu mpeshi, umuco uba mwinshi, izuba rikaze cane kandi igice c'isi cerekeye ku zuba gitangura gusubira kubaho. Ibimera bikambara itoto, vyose biboneka nk'amashurwe.
Kuri twebwe bimeze gute? Igihe twiyerekeza k'umuco, Imana muri twebwe, umushaha wacu uramurikirwa cane

n’umuco, tubaho mugutahura cane, ducika abidegemvya cane, abanezerewe cane, imvugakuri, bugurutse kandi batunganye kuri mugenzi wacu, kuko twisanze ubwacu mu Mana, Ubuzima kandi ko turi abizigirwa kuri twebwe nyene.

Tugaruke ku ntumbero yacu: Imana muri twebwe, Imana muri mwebwe, Imana muri jewe. Umwe wese muri twebwe ni ingoro y’Imana. Kandi Imana iba muri twebwe. Ubuzima budapfa rero ni impwemu y’Imana ibwina cane mu mushaha. Ubuzima butemba buciye mu mushaha wacu, butemba mu tugingo tw’umubiri wacu, buri mu guhema kwacu. Umutima wacu uratera kuko wakira Ubuzima bufatiye k’Ubuzima buri hose, Imana.
Yesu w’i Nazareti ntiyatanze imigenzo y’idini, ntiyigishije ko dutegerezwa kugenda mu ngoro zubatswe n’abantu.

Yesu yigisha kandi abwira abakuru b'idini bo mugihe ciwe:
"*Ntimwiyite mwigisha, kuko umwe we-nyene ariwe Mwigisha"*, Kristo.

Turashobora kwibaza rero Umwigisha ari hehe. Umwigisha ni Kristo, ukuzuka n'ubugingo muri twebwe. Kristo w'Imana rero ni Kristo w'Imana *muri twebwe*. Mu Mana, Kristo ni ibwirizwa ry'urukundo n'umwidegemvyo. Uko niko umwe wese, na mwebwe kandi yidegemvya mukuvyizera canke kubihakana, mukwiboha canke mukwibohora.

Sinipfuza kubabohera kuco arico cose muvy'ubusa, canke nyene kubereka ikintu uko kitari, sinshaka kandi nagato kubwira abandi ukuntu bategerezwa kwifata. Ico nshimye kubabwira, mu bisanzwe, mwigeragereze, nimba mubishaka, mugire ubushakashatsi nkuko jewe

n’abandi benshi babigize. Nkanje, bararonse Imana muri bo nyene kandi bacitse abantu kuri Yo bishoboka kubaho mu mwumvikano mwiza.

Yesu w’i Nazareti yigisha abantu kuja mucumba c’agacerere no kwiyerekeza ku Mana mugacerere. Ntabwo yatwigishije kugenda munsengero zubatswe n’abantu. Nigute twoshira mu ngiro iyo nyigisho?

Nk’akarorero, narateguye ahomba ikibanza gitoyi co gusengeramwo:
nashizeyo imeza ntoyi, intebe, igishashara (ibuji) mugushishikara kwiherera muri ico kibanza vyambereye nkenerwa ndajayo kubwo gusenga canke kandi kwumviriza umudiho mutoyi, nkagira agacerere muri jewe kugira nerekeze ibwina cane muri jewe amasengesho yimbitse kandi yinkomezi.

Gerageze, namwe gutegura ahantu hatoyi ho gusengera mubikore muburyo bwuko biciye mu mudiho no mw'isengesho, ico kibanza gicika ikibanza kibaha inkomezi nyazo zokujayo kandi mutahure iminsi yose ko Imana Data wo mw'ijuru abakunda nkuko adukunda twese. Yipfuza ko dusubira hafi yiwe, kuko ibwina mu mishaha yacu, twese turi abana b'ubwami bw'Imana, bwo ari umugabane wacu nyakuri, butanyeganyezwa, ibihe bidashira, ibihe vyose.

Umwe wese arigenga mukwizera canke mukutizera nk'ikiremwamuntu, ni ingenzi ifise muriyo uguhoraho. Umushaha wacu uremanga mugihe umubiri w'umuntu kanaka ugira ushobore kubaho muri iyi si.

Igihe umubiri upfuye, umushaha ukurikira inzira yawo gushika usubire k'umuremyi

wawo, Imana, Data wawo, ari muri wo, kandi ugasubira kuba ikintu kimwe hamwe n'Imana nka Yesu aho yavuga: *"Data na jewe turi umwe"*.

Ubwo bumwe bw'imbere mu Mana, Data wa twese ahoraho, buraduhuza twese nk'abavukanyi b'ubwami bw'Imana. Umugabane uhoraho mu Mana wonyene, Data wa twese, araduhuza.



Tugaruke kuri ca cumba c'agacerere. Mwatahuye neza ko ntashatse kukwerekeza kw'idini, umuryango wo hanze. Nipfuza gusa guhamagarira umwe wese kukwimenya ubwiwe, mukwibaza iki kibazo: muri bande, turi bande vyukuri?

Nimba mubishaka, tora abo muribo kandi musuzume insiguro y'aya majambo: Imana iriho ibihe vyose. Iri mu bimera. N'ubuzima, umuco muri buri gikoko, buri giterwa, buri buye, muri buri giti. Imana iri ibwina cane mu mushaha wanyu. Imana irikumwe namwe kandi hafi yanyu.
Igihe mugiye muri ca cumba c'agacerere, mubikorane ubwenge kandi kizobakwega buri gihe, naho hoba ari ahantu hatoyi hihishije hagacerere. Ntimujane ivyiyumviro bibi canke vya kameremere aho hantu hateguriwe kwiyinjiramwo kandi mujeyo igihe mushaka kwumviriza umudiho no gusenga.

Kandi igihe musenga, erekeza amasengesho yanyu imbere ibwina cane mu mushaha wanyu kuko mwebwe nyene muri ingoro y'Imana kandi Imana iba muri mwebwe.

Izo nsiguro ntabwo zifise intumbero yogukwiragiza inyigisho. Icipfuzo canje bisanzwe, nico kuvugira Imana, atari ukwivugira canke idini ry'imigenzo ariko kuvugira Imana gusa. Nshaka kumenyesha bagenzanje. Nararonse Imana, ubuzima, ibwina cane mu mushaha wanje. Ndazi ko idukunda twese, muri Data ahoraho, kuri umwe umwe wese yatwihweje yongera aturema mu mutima wayo.

Ndashobora kubivuga ariko nsinshobora kubisigura. Ndazi, mukudashobora kubisigura nagato ko mubaho ibihe vyose, ko tubaho twese ibihe vyose kuko Imana ni Uhoraho. Yo, Imana, Data wa twese wo mw'ijuru yaturemye nk'ibiremwa vyejejwe biba mu mubiri.

Umunsi umwe, umubiri wacu uzopfa, ariko umuhamagaro Imana iduha ugumana agaciro kawo, uwo muhamagaro

tuwumenyera nk'akarorero mu majambo ya Kristo w'Imana: "*Muze mwese kuri jewe, mwebwe abarushe n'abananiwe. Ndabaruhura.*"

Tuje he ko Mpwemu w'Imana, Kristo w'Imana ari ibwina mu mushaha wacu? Tugende tumugana, We aba muri twebwe.



Ndagarutse muri make kuri ca cumba c'agacererere. Nimwategura iwanyu ahantu hatoyi hatekereje hogusengera mukatsa itara kandi mukumviriza vyukuri umudiho mwiza kugira ubafashe kwimenya muzokwiyumva vyihuse ko mutari mwenyene.
Hariho ikintu muri mwebwe kibaremesha, kibatera intege kandi gishaka kubayobora.

Hariho ikibazo umwe wese yibaza umunsi umwe canke uwundi ni gute twokwiyegereza Imana muguhindura mu buryo bwiza impwemu yacu, mu buryo bwo kubaho bwose. Igihe iki cipfuzo kivuye mu mutima kitujemwo, turibuka rero ko Imana yaduhaye ubufasha hamwe n'inyigisho z'ukugira tuhashike. Imana, Data wa twese ahoraho, yaraduhaye amabwirizwa cumi biciye muri Mose, kandi biciye muri Yesu Kristo yaraduhaye inyigisho yo kumusozi.

Uwusuzuma neza aratahura intumbero y'amabwirizwa y'Imana n'inyigisho yo ku musozi ya Yesu, kandi aratahura ko igihe gishasha catangajwe. Kiraje! Bamwe baripfuza kuba umuntu musha, yidegemvya, aba muri mpwemu w'Imana, yubaha kandi akunda ibimera, abana na mugenzi we mumahoro ashobojwe n'inkomezi z'Imana. Uko niko abantu

b'igihe gishasha bazobaho, urunganwe rwa kazoza.

Muri abagenda? Kubw'ivyo, ntabwo mukeneye indongozi zo hanze kuko indogozi y'imbere, Kristo w'Imana aba muri mwebwe. Ari muri umwe umwe wese muri twebwe.

Gerageze mwimenye ubwanyu kugira mwiyegereze ubuzima nyakuri. Nta n'umwe afise uburenganzira bwo kubategeka gushira mu ngiro igitanzwe na Mpwemu. Muri Mpwemu w'ukuri, mu Mana, twese turi abantu bidegemvya!

Biremewe rero kuzana intahe, ninaco nashaka kugira ubu:

ndakunda Imana, Data wa twese wo mw'ijuru kuko naragize ubushakashatsi ko ibakunda, ko idukunda twese.

Ntabwo dukeneye inzego n'imigenzo y'amadini, abakuru b'amadini, abahagarikizi hagati y'Imana natwe. Kuko turafise muri twebwe itunga, itunga ry'agaciro ritagira urugero!

Yesu Kristo, araduhamagarira kuzura iryo tunga muri twebwe, kuko yarigishije: *"Ndi inzira, ukuri n'ubugingo"* araduhanura mukuvuga : *"Nkurikira"*.

Natanguye inzira yo kwiyegereza iryo tunga ry'imbere kandi simvuga aho ikintu co ku munwa gusa. Mvuga mfatiye k'ubushakashatsi nigiriye, kandi ndazi ko mushobora kuzura iryo tunga, ko twese dushobora kubikora.

Nzoryoherwa igihe mwebwe ubwanyu muzoja kurondera iryo tunga ryihariye.

Nzoryoherwa igihe muzoronka amaho-ro y'imbere, mugatahura ko Imana iriho.

Nzoryoherwa igihe muzokwiyumvam-wo ko mutari mwenyene ahubwo ko hari icigaragaza muri mwebwe, gihe-ma, umugende utemba. Ni Mpwemu, n'ukuri, ubuzima buri muri mwebwe no muri buri umwe wese muri twebwe.



Ndabipfurije kuronka icumba c'agacerere.

Ndabipfurije gusenga vyimbitse kandi vyinguvu.

Ndabipfurije gukura mumwidegemvyo.

Ndabipfurije kubaho no kubana n’ibimera.

Ndabipfirije kuyaga n’ibiri ibwina cane muri mwebwe no muri mugenzi wanyu.

Muri uko gutahura ndabahaye indamutso mu Mana kandi ndababwira: Imana hamwe natwe!

Gabriele

BROCHURES GRATUITES



Le message de la vérité :

- Des perles de vie
- Trouvez Dieu ! Où, comment ?
- Vous vivez éternellement, la mort n'existe pas
- Dieu en nous
- Vous n'êtes pas seul
- Ne baisse pas les bras ! Persévère !
- La réincarnation, une grâce de la Vie
- Le Sermon sur la Montagne, la clé d'une vie intérieure riche

Udutabo turi mu Kirundi dutangwa k'ubuntu:

- Nturere amaboko! Komeza!
- Aho babiri canke batatu bakoraniye mw'izina ryanje, ndi hagati muribo



Livres en français : www.editions-gabriele.com

Livres en plus de 20 langues ! www.gabriele-publishing.com

Imana muri twebwe

na Gabriele

Icipfuzo canje nico kuvugira Imana, atari ukwivugira canke kuvugira idini ry'imigenzo, ariko n'ukuvugira Imana gusa. Nshaka kuyimenyesha bagenzanje.

Nararonse Imana, ubuzima, ibwina cane mu mushaha wanje. Ndazi ko idukunda twese, ni muri Data ahoraho kuri umwe umwe wese yatwihweje yongera aturema mu mutima wayo.

Imana iriho ibihe vyose. Iri mu bimera. N'ubuzima, umuco muri buri gikoko, buri giterwa, canke buri buye, muri buri giti. Imana iri ibwina cane mu mushaha wanyu. Imana irikumwe namwe kandi hafi yanyu.

Editions Gabriele
La Parole

Max-Braun-Straße 2 • 97828 Marktheidenfed • Allemagne
www.gabriele-verlag.de
www.editions-gabriele.com